RCCB 34 Urupapuro rwa mbere

Republique du Burundi
Au nom du peuple burundi
la cour constitutionnelle a rendu
l'arrêt suivant:

**Sentre yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro mu Burundi ishashe i Bujumbura iciye urubanza rukurikira :**

**Intahe y'icese yo kw'igenekerezo rya 26 Mukakaro 1994**

Yihweje inzandiko zisa zo kw'igenekerezo rya 24 Nyakanga 1993 abantu batari bake baturuka muri komine Rumonge bashikirije sentare bitwarira ingingo ya 6 y'itegeko bwirizwa n°1/01 yo ku wa 22 Nzero 1991 rishinga umurwi ujejwe gutahukana, kwakira no kugererera impunzi z'abarundi , bavuga ko iyo ngingo iteye kubiri n'Ibwirizwa Nshingiro ; n'abo abo bitwaye bakaba ari : BUNAME Juvénal, NIBAFASHA Gatarina, NAHIMANA MMakurata, BARAHEMBEYE Léonard, NTAKABURIMVO Zakariya , MASUNZU Gordiyano, NIRAGIRA Generoza, HWINYIRAKO André, MINANI Audace, NTAHIRAJA Gervais, MURERWA Sezariya, MBARAMAGU Etienne, SABUSHIMIKE Anicette, YAMUREMYE Berenare, MUSIHIRI, NDAYEGAMIYE Fidelle, RUDARAZA, NDAYISABA Vitari ? camutari ? hwinyirako Salvator, SINDAYIHEBURA Yohani, NTAHOMPAGAZE Salomo, DOMERO Marikiyadi, BATUNGWANAYO Seriveri, KAYEYE Etienne, BAYARI Audace, NTIRURAHORA Pierre, NUNGURUZA, SINZINKAYO Bonaventire, BANYIYEZAKO, NZOHABONIMANA Daniel, MUGABONIHERA, NGUMIJE Yohani, Karori Merikiyadi, NDIKURIYO Emmanuel, NYABAYOYA Bonaventure, NDAYINGINGA Lewi, RUCUMUHIMBA Geregori, BUZATSA Tereza, MISAGO Athanase, NDIKUMANA Gabriel na NGENZIRABONA ;

Ibonye yuko izo manza zashitse mw'iyandikiro ry'imanza ya sentare kw'igenekerezo rya 25 Nyakanga 1993, maze zigahabwa n'inomero yazo ;

Yihweje icegeranyo cashikirijwe n'umwe mu bacamanza ba sentare ku vyerekeye izo manza ;

Ifatiye kukugene yihweje izo manza kw'igenekerezo rya 15 gitugutu 1993 na 23 ruheshi 1994 ;

Kubera yuko abo bitwaye bose basaba sentare kwemeza yuko ingingo ya 6 y'itegeko-bwirizwa n°1/01 yo ku wa 22 nzero 1991, iteye kubiri n'Ibwirizwa Nshingiro ;

Urupapuro rwa kabiri

Kubera yuko kw'igenekerezo rya 25 Mukakaro 1994, sentare yaciye isoma urubanza RCCB 31 yemezamwo yuko iyo ngingo iteye kubiri n'Ibwirizwa Nshingiro mu ngingo yaryo y'i 140, agace ka mbere ;

Kubera kandi yuko, hakurikijwe ingingo y'I 154 agace ka mbere y'ibwirizwa nshingiro nkuko sentare yayitomoye mu rubanza RCCB 28 rwaciwe ku wa 10 Nyandagaro 1993, urubanza RCCB 31 rwo ku wa 25 Mukakaro 1994 rutegerezwa gukurikizwa no ku vyerekeye amadosiye yoba akiri imbere y'umurwi washinzwe kutahukana, kwakira no kugererera impunzi z'abarundi ;

Kubera yuko, ifatiye kuri izo mvo, sentare ibona ko ata kamaro ko kwirirwa irihweza zino manza, kandi ivyo zikwirikirana biza vyaratomowe ; ari naco gituma izo manza zikwiye gufutwa mu rutonde rw'imanza

**BUBERA IZO MVO ZOSE**

Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro

Yihweje Ibwirizwa Nshingiro rya Republika y'Uburundi

Yihweje itegeko-bwirizwa n°1/08 ryo ku wa 14 ndamukiza 1992 ritegekanya uburyo sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingio iringanijwe kandi ikora hamwe n'ubuyo imanza zihwezwa ;

Yihweje amategeko yayo agenga akazi kayo yo ku wa 12 nzero 1994 ;

Imaze gushira zino manza mu mwiherero, hakurikijwe amategeko ;

Ishinze yuko imanza zitwarira ingingo ya 6 y'itegeko-bwirizwa n°1/01 ryo ku wa 22 Nzero 1991 rishinga umurwi ujejwe kutahukana, kwakira no gugererera impunzi z'abarundi, zashikirijwe mu nzandiko, zo ku wa 24 Nyakanga 1993 n'abantu batari bake baturuka muri komine Rumonge, zifuswe mu rutonde rw'imanza;

Urupapuro rwa gatatu

Uko niko rucitse kandi rusomewe I Bujumbura mu ntahe y'icese yo ku wa 26 Mukakaro 1994, yari ishashemwo:

**Abacamanza ba sentare**

Dévote SABUWANKA

Gervais GATUNANGE

Gédéon MUBIRIGI

**Umukuru w'intahe**

Gérad NIYUNGEKO

**Icegera c'umukuru wa sentare**

Gervais RUBASHAMIHETO

**Umwanditsi w'imanza : Paul NDONSE**

Délivré pour usage administrative

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cour Constitutionnelle

Pour copie certifiée conforme à l'original
Bujumbura 16/8/2017
le greffier de la cour constitutionnelle